# REPUBURIKA Y'UBURUNDI
## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

### ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU n° 11

Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE yakuye kw'iterefone Umukuru w'igihugu ca Centrafrique, Nyenicubahiro Faustin-Archange TOUADÉRA, mu ntumbero yo gusubira kumukeza aho yasubiriye kwizerwa n'abenegihugu b'ico gihugu ngo abandanye abarongoye nk'Umukuru w'igihugu. Mu kiyago bagiranye, yifadikanije nawe mu gutera ivyatsi ubugizi bwa nabi n'iterabwoba biri mu mihingo imwe imwe ya Centrafrique.

Nyenicubahiro Faustin-Archange TOUADÉRA yaboneyeho akanya ko guhoza Mugenzi we w'Uburundi, Abarundi bose, n'imiryango y'abasirikare batatu b'Abarundi baherutse gusiga ubuzima muri ico gihugu aho bagiye guhagararira amahoro n'umutekano nk'ingabo z'Umuryango Mpuzamakungu ONU. Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE yongeye kwemerera Nyenicubahiro Faustin-Archange TOUADÉRA ko n'aho ivyo vyabaye, Uburundi butarota bukura ingabo zabwo muri Centrafrique, ahubwo ko buzoguma bukora butiziganya kugira ngo amahoro n'umutekano bisubire kwirara muri Centrafrique.

Basozereye ikiyago cabo bipfurizanya Umwaka mwiza, bakawipfuriza Abenegihugu b'ibihugu vyompi.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 23 Nzero, 2021.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*